Iyo abislamu babiri bakuye imipanga (canke inkota zabo) mu rwubati ngo barwane, maze umwe muri bo akica mugenziwe, uwishe n'uwishwe bose bazoja mu muriro

Mu vyakiriwe na Abu Bakra (Imana Allah Imwishimire) yavuze ati: "Narigeze kwumva Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ivuga iti: "Iyo abislamu babiri bakuye imipanga (canke inkota zabo) mu rwubati ngo barwane, maze umwe muri bo akica mugenziwe, uwishe n'uwishwe bose bazoja mu muriro". Naciye mvuga mbaza nti: "Ewe Ntumwa y'Imana! Ku wishe, birumvikana igitumye ahanwa, none uwishwe wewe azira iki?". Yaciye yishura ivuga iti: "Azira ko na we nyene yari arajwe ishinga n'ukwica mugenziwe iyo atamwitanga"".

[متفق عليه] [صحيح]

Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) aratwiganira ko iyo abislamu babiri bakuye imipanga cane inkota mu rwubati ngo babikoreshe mu kurwana, maze umwe wese muri bo akarazwa ishinga n'ukwikiza mugenziwe ngo amwice; uwishe uwundi azoja mu muriro ku caha kigaragara co kwica mugenziwe. Aha ingendanyi zaragize impungenge ku wishwe, zishaka kumenya igituma yohanwa akaja mu muriro, zica zibaza ziti: bishoboka gute ko yoja mu muriro kandi ari we yishwe?, Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yaciye azimara impungenge ku gituma uwishwe ahanwa mu muriro, ko na we nyene yari yararajwe ishinga n'ukwica mugenziwe, akaba yabujijwe kumwica n'uko yamwitanze akamwica.

http://www.sunnah.global/hadeeth/rn/show/4304